# UMUHARI UHARANIRA AGATEKA KA ZINA MUNTU MU BURUNDI

*Ryemejwe n'itegeko nshikiranganji n°530/0273 ryo kuwa10 Munyonyo1994, risubiramwo itegeko n°550/029 ryo kuwa6 Ruhuhuma1991*

## *ICEGERANYO C'UMUHARI UHARANIRA AGATEKA KA ZINA MUNTU MU BURUNDI « ITEKA » KU NYIFATO Y'AGATEKA KA ZINA MUNTU MU BURUNDI KIRINGO CA NTWARANTE –NDAMUKIZA 2026*






Uwo uri wese ubahirizwa


*Mukwibuka umupfasoni Mariya Korodetta Kwizera, umunyabigega w'ishirahamwe Iteka, yabuzwe irengero kuva kuwa 10 Kigarama 2015.Kuva muri Kigarama 2015 gushika kuwa 30 Ndamukiza 2026, abantu bashika 865 babuzwe irengero nibo ishirahamwe Iteka ryamenyeshejwe, n'imiburiburi 86 barasubiye kuboneka abandi781ntibigeze basubira kuboneka. Umugwi w' igikorwa c'ishirahamwe ry'ibihugu vyunze ubumwe ku kuburwa irengero waramaze kumenyesha Reta y'uBurundi n'imiburiburi abashika 252 babuzwe irengero.*

**Ishirahamwe Iteka:**

- **« Ni umunywani w'ishirahamwe mpuza bihugu vyo muri Afrika vyegwa n'agateka ka zina muntu,ni umunywanyi akorana n'urunani mpuzamakungu rw'amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu(FIDH),**
- **Rifise akaranga ko kwihweza imbere y'umugwi wa Afirika uharanira agateka ka zina muntu kuri nomero iyerekana OBS.236 kandi ni umunywanyi wa ECOSOC.**
- **rigizwe n'Inani mpuzamashirahamwe 17 ku ntara hamwe n'ibisata 32 ».**

[1] *https://docs.un.org/fr/A/HRC/57/54*

## *IKARATA NSHASHA Y'INTWARO MU BURUNDI*



# URUTONDE RW'IBIRIMWO

*IMPFUNYAPFUNYO* ....................................................................................................4
*I. INCAMAKE KU VYABAYE* ..............................................................................................5
*III. INTUMBERO Y'ICEGERANYO* ....................................................................................8
*IV. UBUHINGA BUKORESHWA* ..........................................................................................9
*V. INYIFATO Y'AGATEKA KA ZINA MUNTU MU BURUNDI:*
*Ntwarante-Ndamukiza2026* ............................................................................................10
*V.1._UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE* ..............................................10
*V.1.1._UBURENGANZIRA KU BUZIMA* .................................................................................10
*V .1.1.1.UBWICANYI BUTEGUYE* ...........................................................................................10
*V. 1.1.2. UKUNYURUZWA NO KUBURWA IRENGERO* .........................................................13
*V.1.2.UBURENGANZIRA BW' UKWITANAHO* ......................................................................15
*V.1.2.1.AMABI YO KUBOREZA IGUFA ,UGUPFUNGA CANKE UGUFATA BUNYAMASWA N'AYANDI MABI ATAGIRA IZINA* ..............................................................................15
*V.1. 2.2. AMABI AFATIYE KU GITSINA/UGUFATA KU NGUVU* ............................................17
*V.1.3. UBURENGANZIRA KU MWIDEGEMVYO* ......................................................................19
*V.1.3.1. UGUHAGARIKA HAMWE NO GUPFUNGA BICIYE KUBIRI N'AMATEGEKO* .....19
***V.2. UBURENGANZIRA KU MIBANO-UBUTUNZI HAMWE N'IMICO KAMA ................20***
***V.2.1.IHUNGABANA RY'UBUTUNZI.........................................................................20***
***V.2.2.UBURENGANZIRA KU NDERO........................................................................20***
*VI. UGUSOZERA* ...............................................................................................................21

# *IMPFUNYAPFUNYO*

| | |
|---|---|
| ***AGNU*** | **:** *: Ikoraniro kaminuza ry'ibihugu vyunze ubumwe* |
| ***CDS*** | **:** *Ikigo c'ubuvuzi* |
| ***CEEAC*** | **:** Ishirahamwe ry'ubutunzi bw'ibihugu vya Afirika yo hagati |
| ***CIDE*** | **:** Convention Internationale relative aux Droits de l'Enfant |
| ***CNDD-FDD*** | **:** I*nama y'abanyagihugu iharanira intwaro rusangi-urunani rukingira intwaro rusangi* |
| ***CNIDH*** | **: Umugwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu** |
| ***CNL*** | **:** *Ihuriro ry'igihugu riharanira ukwidegemvya* |
| ***DESC*** | **: Uburenganzira ku butunzi,imibano n'imico kama** |
| ***ECA*** | **:** Ishengero rukirisu y'abatumwa |
| ***ECOFO*** | **:** Ishure shingiro |
| ***FDLR*** | **:** *Urunani ruharanira demokarasi yo kubohoza u Rwanda* |
| ***FRODEBU*** | **:** *Urunani ruharanira demokarasi mu Burundi* |
| ***OBPE*** | **:** Observatoire Burundais pour la Protection de l'Environnement |
| ***ONU*** | **:** Organisation des Nations Unies |
| ***OPJ*** | **:** Officier de Police Judiciaire |
| ***PNB*** | **:** *Igipolisi c'igihugu c'u Burundi* |
| ***RDC*** | **:** *Repuburika iharanira demokarasi ya Kongo* |
| ***SNR*** | **:** ***Igendereza ry'igihugu*** |
| ***TGI*** | **:** *Sentare nkuru y'igihugu* |
| ***UE*** | **:** *Ubumwe bwa Afirika* |
| ***UPRONA*** | **:** *Urunani ruharanira iterambere ry'igihugu* |
| ***VBGs*** | ***:*** *Amabi afatiye ku gitsina* |

# I. INCAMAKE

Muri Ntwarante na Ndamukiza 2026,Uburundi bwaranzwe n'ihonyanngwa rikabije ry'agateka ka zina muntu

Ryagirizwa Reta hamwe n'abandi bantu bacuditse cane n'umugambwe uri ku butegetsi.Mu cuka c' ukudahana, abaharanira agateka ka zina muntu,naho babirwanya,biragorana ko bayumvira. Utwigoro bakora mugushira ahabona ayo mabi ni utwubusa uravye akagama ka Reta,yirengagiza akamo iterwa kayikeburira gukoresha ubutungane n'ugukora amatohoza akomeye.Umuhari iteka ,nk'uwakwirikiranye intambwe kuyindi inyifato y'agateka ka zina muntu mu gihugu nahobitoroshe ku rubuga,waharuye abantu 72 bishwe muri kino kiringo harimwo 31 batowe ibiziga mu burere butandukanye bw'igihugu. Iruhande,ukunyuruzwa no kubuza irengero vyarateye amakenga cane,ku bantu 9 vyabayeko mu gacerere bigasiga agahinda mu miryango yabo.Amajambo aca inkokora arazunguruka,avuga ko ifatwa ry'abantu bafata ko batavuga rumwe na reta bikekwa ko batemeye kwinjira umugambwe uri kubutegetsi,rikorwa n' abajejwe umutekano canke urwaruka rw'Imbonerakure,zifadikanije n'ubutehetsi.

Uko kuburwa irengero kwasiga imiryango mu kangaratete hamwe n'umwiheburo mwinshi,ata kiyambu c'ababo bakunda.Icuka kandi caranzwe n'ibikorwa vy'ukuboreza igufa abantu,umuhari Iteka umenyesha abantu 5 babikorewe mu ntara ya Gitega,aho haharuwe 2,na Burunga,aho abantu 3 aribo bakozweko n' uko gufatwa bunyamaswa.

Muri ico kiringo nyene,abantu 29 barakorewe amabi afatiye ku gitsina nabo nyene baratohojwe.Muribo,22 bafashwe ku nguvu,harimwo 20 b'abana canke abakobwa bari musi y'imyaka 18.Imbonerakure, hamwe n'abo mu ntwaro n'abapolisi,baravuzwe kenshi nk'abikekwako ubwo bunyamaswa.

Mu gusozera,umuhari Iteka waranavuze abantu 4 bahagaritswe biciye ku biri n'amategeko:


3 iButanyerera n'umwe mu Buhumuza.

### *Ibigara bivyerekana :*

Ku ncuro 110 z'amabi yaharuwe muri kino kiringo cafatiweko,abantu **119** nibo bakorewe ayo mabi.

### *Igicapo ca 1 : Ikigara cerekana amabi avugwa hamwe n'aho yakorewe*

| Aho vyabereye/ Intara | Igitigiri c'abakorewe amabi | | | | | Bose hamwe |
|---|---|---|---|---|---|---|
| | Uguhagari-kwa | Ukunyuruz wa | Ukuborez-wa igufa | Ubwicanyi | Amabi afa-tiye ku git-sina | |
| Buhumuza | 1 | 1 | 0 | 16 | 1 | 19 |
| Bujumbura | 0 | 7 | 0 | 15 | 5 | 27 |
| Burunga | 0 | 1 | 3 | 11 | 8 | 23 |
| Butanyerera | 3 | 0 | 0 | 10 | 9 | 22 |
| Gitega | 0 | 0 | 2 | 20 | 6 | 28 |
| Hose | 4 | 9 | 5 | 72 | 29 | 119 |




## *I. INCAMAKE (Ibikurikira 5)*

Imbonerakure, hamwe na bamwe mu rwego rw'igipolisi,abakorera Reta n'abakozi b'igendereza, baravugwa kenshi nk'abikekwako nka yose muri ayo mabi hamwe n'ubwicanyi.

Umuhari Iteka uranashikiriza muri kino cegeranyo amabi yakozwe n'abataramenyekana agize n'ububisha bwinshi nk'ihohotera rifatiye ku gitsina hamwe n'ibiziga vyatowe mu mihingo itandukanye.Umuhari Iteka uraraje ishinga cane n'uko Reta ata nakimwe ikora imbere y'ububisha bwabaye ndanse.

***Igicapo 2 : Ikigara cerekana abakoze ayo mabi n'aho yakorewe :***

| Abikekwako amabi | Buhumuza | Bujumbura | Burunga | Butanyerera | Gitega | Bose hamwe |
|---|---|---|---|---|---|---|
| Abapolisi | 0 | 3 | 0 | 2 | 3 | 8 |
| Abo mu ntwaro | 1 | 0 | 0 | 0 | 0 | 1 |
| Abakozi b'igendereza | 0 | 1 | 0 | 0 | 0 | 1 |
| Iyindi migwi | 1 | 8 | 6 | 5 | 5 | 25 |
| Abataramenyekana | 8 | 11 | 7 | 8 | 13 | 47 |
| Uburozi | 0 | 0 | 0 | 0 | 2 | 2 |
| Imbonerakure | 4 | 3 | 4 | 0 | 5 | 16 |
| Kwica abana | 0 | 0 | 0 | 2 | 1 | 3 |
| Ukwihanira | 1 | 0 | 0 | 0 | 0 | 1 |
| Abasirikare | 1 | 0 | 0 | 0 | 0 | 1 |
| Ukwihora | 6 | 2 | 4 | 2 | 1 | 15 |
| **Bose hamwe** | **22** | **28** | **21** | **19** | **30** | **120** |





Ku ncuro zose 110 habaye amabi yakoze ku bashika 119(ikigara co hejuru) harimwo 71 b'igitsina gabo na 48 b'igitsiba gore,umuntu umwe yagirizwa abasirikare,8 bagirizwa abapolisi,16 bagirizwa Imbonerakure,47 umugwi w' abatamenyekanye hamwe n'umugwi abandi uhurikiyemwo « ukwihora,abana,abantu ataho begamiye nk'incuro 25 hamwe n'incuro 1abo mu ntwaro ».Ukwihora vyakoze ku bantu 15.Twomenyesha kandi ubwicanyi bw'abana 3 hamwe n'umuntu 1 mu kwihanira.

## *I. INCAMAKE (Ibikurikira urupapuro 6)*

***Igicapo 3: Ikigara cerekana ivyakozwe ahanini n'abakorera Reta kw'ihohoterwa ry'agateka ka zina muntu ryavuzwe.***

| Ubwoko bw'amabi | Igitigiri c'amabi | Igitigiri c'ivyakozwe | Aho atacakozwe |
|---|---|---|---|
| Uguhagarikwa | 2 | 0 | 2 |
| Ukunyuruzwa | 9 | 2 | 7 |
| Ukuborezwa igufa | 4 | 2 | 2 |
| Ubwicanyi | 67 | 36 | 31 |
| Amabi afatiye ku gitsina | 28 | 26 | 2 |
| **Vyose hamwe** | **110** | **66** | **44** |




Ku ncuro 110 hakozwe amabi muri iki kiringo cafatiweko,incuro 66 hari ivyakozwe,bigabuwe mu migwi 3,kugira haboneke inyishu.Amwe mu mabi yarashoboye gutorewa umuti,mugihe ayandi akiriko arihwezwa, n'amatohoza y'ubutungane ariko araba kugira hatorwe umuti urama.Muri ivyo vyakozwe harimwo amatohoza 4 asanzwe,amatohoza 59 y'ubutungane hamwe n'amatangazo 3 kandi ntanakimwe cakozwe ku mabi 44.Irugande y'iryo honyangwa ry'agateka k'abantu no muri politike,uburenganzira bw'imibano n' ubutunzi bwarahungabanye muri Ntwarante –Ndamukiza 2026.

**Ubutunzi :**Amasezerano y'ubutare bwa nickel yashizweko umukono n'umushikiranganjiw'ubutare ata muco. BRB irahagarika uguhemba abacukura ubutare ikongera ikaduza ikori ku nzahabu gushika ku rugero rwa 16%. Ukubura igitoro: ukuburabuza abagendesha ama pikipiki i Butanyerera, umuriro i Muyinga. Uburimyi: ugutanga igice c'ifumbire i Mwaro n'i Nyanza, gukuraho ifumbire yo mu bwoko bwa urée kuwa 5 Ntwarante, amapfa ashobora kwaduka.Isuku rike mu Ruyigi bivuye ku binogo bishikiramwo umwanda uva mu tuzu twa surwumwe.

**Indero :** Iburwa ry'umuyobozi kuwa 10 Ntwarante inyuma yo kunyuruza amafaranga,icuka c'ubusuma bw'ibibazo. Buhumuza : abanyeshure bategekwa kuraba urukino ku gahato kuwa 12 Ntwarante, ukwirukana burundu abanyeshure bo mumwaka w'9.Karuzi : Kwanka kwiga kuwa 4 Ntwarante kubera babatse amaterefone. Muramvya : uguheba ishure kubwinshi muri Ndamukiza mw'ishure shingiro, ubukene arico gituma kiza ubwambere .

## *II. IBISABWA*

Mu kiringo c'iki cegeranyo,itituka ry'agateka ka zina muntu ribandanya ryibonekeza mu mihingo itandukanye y'igihugu.Iki cegeranyo gishira ahabona amabi ajanye no guhonyanga uburenganzira bwo kubaho,bwo kubahana ,hamwe n'ubwo kwidegemvya;uburenganzira ku butunzi,imibano n' imico kama.

Umuhari Iteka urarajwe ishinga n' ukudahana amabi yibonekeza ukongera ugasaba ibikurikira kuri ivyo:

### Kuri Leta y'i Gitega :

1. Kubahiriza agateka ka zina muntu, cane cane uburenganzira ku buzima, ukwitwararikana muri vyose hamwe n'umwidegemvyo.

2. Gufata ingingo zo kurandurana n'imizi ukudahana amabi hamwe n'uko abakoze amabi y'ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu bishura ivyo bakoze.

3. Gutohoza no guhana bimwe bikomeye amabi akorerwa abana yabaye ndanse mu Burundi abatware barorera.

**Kubafasha muvyo ubuhinga n'uburyo Reta y'uBurundi harimwo NU,UE hamwe n' abaserukira ibihugu vyabo mu Burundi :**

1. Gushigikira utwigoro tw'umuhari Iteka hamwe n'ayandi mashirahamwe aharanira gukingira agateka ka zina muntu mu vyerekeye ugukwirikirana ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu mu Burundi.

2. Gukoresha ububasha bwabo mukugondoza abarongozi b'uBurundi bubahirize agateka ka zina muntu bongere basezerere ukudahana.

**Ku mashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu :**

1. Gukwirikiranira hagufi agateka ka zina muntu mu Burundi yongere aharanire ugukingira uburenganzira shingiro.

2. Gushira imbere ugukorera hamwe kugira bigende neza mu bufasha bwabo butandukanye; gushigikira abakorewe amabi y'ihohoterwa ry'agateka ka zina muntu hamwe n'ukubafasha gushikira ubutungane.

*Uwo uri wese ubahirizwa*

## *III. INTUMBERO Z'ICEGERANYO*

Umuhari Iteka usohoye ico cegeranyo c'amezi abiri ku ngorane z'imibano –politike;ubutunzi hamwe n'agateka ka zina muntu mu Burundi kumvo zikurikira :

1. Koreka abandi vyega bakwirikirane iterambere ry'ibintu hamwe n'iry'agateka ka zina muntu mu Burundi mu kiringo kanaka,mu kumenya intumbero,intambamyi hamwe n'impinduka zahabaye;
2. Gutanga umuco ku bafata ingingo muri politike,amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu hamwe n'amakungu mu gufata ingingo hamwe no mu bikorwa biraba uBurundi ;
3. Guhimiriza abanyagihugu hamwe n'amakungu ku bibazo bihanze agateka ka zina muntu n'umutekano mu Burundi,hamwe no guharanira impinduka canke ibikorwa bijanye.

## *IV. UBUHINGA*

Umuhari Iteka wama ushikiriza ivyegeranyo vyo kundwi vyitwa Iteka n'Ijambo,hamwe n' ivyegeranyo vyo ku kwezi, vyo ku bice bibiri,vyo ku gice ,vyo kumwaka,vyo ku bisata n'ibitigiri bijanye n'inyifato y'agateka ka zina muntu hamwe n'umutekano.Ivyo vyandiko bihabwa abo vyega batandukanye,cane cane Leta y'uBurundi n'inzego zayo zitandukanye.

Ico cegeranyo cavuye mu mwihwezo w'urutavanako wakozwe n'abakorerabushake hamwe n' indorerezi z'umuhari Iteka ,bakora kw'izina ry'umuhari Iteka mu nani 17 zo mu ntara hamwe n'ibisata 32.Abanywanyi b'uwo muhari barongowe n'akaranga mutima hamwe n' ubufasha,mukwiyemeza gukinga ihohoterwa ry'agateka ka zina muntu mu kubandanya baraba bongera batohoza amabi hamwe n'ihonyangwa rikorwa n'ubutegetsi ku banyagihugu babwo.

Ubuhinga bw'ubushakashatsi bwakoreshwa mu kwihweza uko agateka ka zina muntu kifashe mu Burundi ku ntwaro ya Ndayishimiye Evariste buhagaze ku buryo bwinshi bwunganiranira kandi bukomeye.Uburyo bw'ukubaza bwarashizwe imbere,bugizwe n'ugutororokanya amaku n' ibiganiro hamwe n'abo vyega ahanini,nk'abaharanira agateka ka zina muntu,abanywanyi b' amashirahamwe adaharanira inyungu za politike n'abaserukira intwaro.Ubwo buhinga bufasha gutororokanya ivyiyumviro bitandukanye ku nyifato y'agateka ka zina muntu mu Burundi,gutyo bikerekana intambamyi zitandukanye zahabaye hamwe n'intambwe yahabaye kuva Ndayishimiye ashika ku butegetsi mu 2020.

Vyongeye,twarakoranye ibiganiro n'abo agateka kabo kahonyanzwe kugira turonke intahe itomoye,mukuryohora gutyo umwihwezo mu kumenya abakorewe amabi n'ibitigiri vyabo.

Ariko rero,kibicishije mu cegeranyo co kundwi Iteka n'ijambo,ico cegeranyo gishira hamwe ibiharuro vy'amezi abiri Ntwarante na Ndamukiza 2026.Ibitigiri vy'ishirahamwe ririmwo vyose vyarafashije ku bigara hamwe n'uburorero buvyerekana.

## *V. UKO AGATEKA KA ZINA MUNTU KIFASHE MU BURUNDI : Ntwarante-Ndamukiza2026*

### *V.1. UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE*

*UBurundi buri mu bihugu vyashize umukono ku masezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw' ukwigenga na politike(1965) hamwe n'amategeko yaryo mpfatakibanza (1976) ntabanduka kuwa 9Rusama 1990,icatumye mu ntumbero yo kuyashira mungiro,uBurundi bufata ingingo ingingo mu mategeko abugenga nko mw'ibwirizwa shingiro ryo kuwa 7 Ruheshi 2018(Itegeko kizigenza) mu ngingo yaryo 19 ivuga koamategeko yose yasomwe kandi agashigwaho n'amategeko mpuzamakungu yashizweko umukono ko ashizwe ashizwe mw'iryo bwirizwashingiro,amategeko arishira mu ngiro yarashizweho nko mw'itegeko mpanavyaha ryo kuwa 29 Kigarama 2017 no mw'itegeko rishira mungiro ibihano ryo kuwa 11 Rusama 2018 hamwe n'ayandi mashirahamwe akingira agateka ka zina muntu mu Burundi yarashizweho.*

### *V.1.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA*


### *V.1.1.1. UBWICANYI BUTEGUWE*

Muri kino kiringo ca Ntwarante-Ndamukiza 2026, umuhari Iteka waharuye abantu 72 bishwe ku butaka bw'igihugu bagizwe n'abagabo 55 hamwe n'abagore 17.

Nkuko ico kigara co musi kivyerekana,intara ya Gitega niyo yakozweko cane ku bantu 20 igakwirikirwa n'intara ya Buhumuza ku bantu 16, Bujumbura iza ubugira gatatu ku bantu 15 bishwe hagaca hahereza Burunga na Butanyerera uko zikwirikirana 11 na10 bishwe.Twomenyesha ko mubishwe harimwo abana 8 hamwe n'abakuze 64 .

***Igicapo 3 : Ikigara cerekana abantu bishwe mu kiringont ca Ntwarante-Ndamukiza 2026***

| Intara | Incuro bishe | Ibitigiri vy'abapfuye | | Abagabo | Abagore |
|---|---|---|---|---|---|
| | | Ubwicanyi | Ibiziga | | |
| **Buhumuza** | **15** | **13** | **3** | **9** | **7** |
| **Bujumbura** | **12** | 8 | 7 | 12 | 3 |
| **Burunga** | **10** | 5 | 6 | 8 | 3 |
| **Butanyerera** | **10** | 3 | 7 | 9 | 1 |
| **Gitega** | **20** | 12 | 8 | 17 | 3 |
| **Zose hamwe** | **67** | **41** | **31** | 55 | 17 |



### *V.1.1. V.1.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA (Ibikurikira urupapuro10)*

### *Uburorero buvyerekana :*

### *Abantu bishwe n'abaporisi :*

***Ak1 :*** Kuwa 11Ntwarante 2026, muri karatiye Mirango I, iri muri zone de Kamenge, muri komine ya Ntahangwa mu ntara ya Bujumbura,abantu 2 bikekwako ubusuma barishwe mu gitondo igihe batana mu mitwe n'abapolisi bafise ibirwanisho.Ivyo vyaremejwe n'ababa mu Mirango I co kimwe n'uwutwara karatiye Gituro.Kubwo ivyavuye mu bahaba,ingorane yatanguriye mu bunywero bwitwa USA,iri muri karatiye Songa,muri zone ya Kamenge.Abantu 3 barageragej e kwinjira muri ubwo bunywero,ariko umupolisi yari ahari yaciye abazibira.Kubwo ababibonye nyene, abobantu baciye baka ikirwanisho umupolisi imbere yo guhunga bagitwaye.Umupolisi yarabibwiye abo bakorana,baca bafata ingingo yo gukwirikira kugira bafate umugwi wikekwa ko woba uri mu busuma bwaho.Ugukwirikira izo nkozi z'ikibi vyahereye muri karatiye Mirango I,iruhande y'uruzi Nyabagere,aho habaye ukurasana hagati y'abapolisi n' abikekwa,bituma hapfa abantu 2 muri iyo ndwano.

Ayo makuru yaremejwe na Pascal Ndorimana,umwe mu barongoye inyubakwa 10 muri karatiye ya Gituro,iri hafi yahaguye ibara.Ababa muri zone Kamenge bashikiriza amakenga menshi kuvyerekeye ubusuma bwimonogoje muri ako karere kabo.Bashikiriza ubwoba ku mutekano wabo aho imigwi y'abasuma,kuri bo,basa n' abihagararako n'abajejwe umutekano bahari.

Pascal Ndorimana aranashikiriza ko bamwe muri iyo migwi bari mu bikorwa bijanye no gukoresha hamwe no kudandaza ibiyayuramutwe mu makaratiye atandukanye yo mu Kamenge kandi ko,iyo bafashwe,badateba kuva mu busho canke mu mabohero.Kuri iyo ngorane,abahaba co kimwe n'abarongozi baho bahamagarira abajejwe umutekano n'indongozi gukomeza ingingo zigamije kurwanya iyo migwi y'ababisha,yagirizwa gutera n'ibirwanisho imihana hamwe no guturubika abarengana.

### *Abantu bishwe n' Imbonerakure:*

***Ak2 :***Kuwa 27 Ntwarante 2026, kw'isoko rya Kukarukona, riri ku mutumba Nkanda, muri komine Bugendana, mu ntara yaGitega, Lévis IRAKOZE, afise imyaka 28,umuhungu wa Ntumbo Salvator yarishwe Innocent NZEYIMANA, Imbonerakure yo kuri uyo mutumba nyene. Kubw'ivyabona vyo muri ako karere,imishwano yadutse inyuma yuko uwo yishwe aguze inzoga ikaze yitwa Kick kwa Simbakwira Espérance, hanyuma Lévis asaba gusubizwa amahera angana yarenga kuyo yategerezwa kuriha ariko uwudandaza yabandanije amubwira ko yamaze kuyamusubiza. Kubw'ivyo vyabona nyene vyo muri ako karere,niho Innocent yaza afise imbugita ategeka Levis kuva aho hantu hanyuma ashaka kwanka iryo terabwoba,Innocent yamucumita mu mutima aca atera apfira ahonyene.

Inyamiramabi na komiseriwa komine barashitse ahabereye iryo bara hanyuma bategeka guhamba uwo yishwe bavuga ko bariko bararondera uwakoze iryo bara.

*Uwo uri wese ubahirizwa*

### *V.1.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA (Ibikurikira urupapuro 11)*

***Abantu bishwe n'abantu batamenyekanye:***

***Ak3 :*****Urupfu ruteye amakenga rw'umugore yakurikirana urubanza rw'umwana wiwe yafashwe ku nguvu mu Bukeye komine Muramvya mu ntara ya Gitega**

Mw'ijoro ryo kuwa 29 Ndamukiza 2026, hafi y'isaha zitatu,umugore w'imyaka 40 yarapfuye inyuma yogushika mu rugo rwiwe,rurimuri karatiye Nyamugari,muri zone Bukeye, muri komine Muramvya,mu ntara ya Gitega. Uwo yapfuye yakurikirana urubanza rujanye n'ugufatwa ku nguvu kw'umukobwa wiwe muto cane,w'imyaka 7.

Ku bwo intahe twegeranije ku masoko yaho kandi yemezwa na M. Nshimirimana J. Pierre,arongoye ikirwati ca Gahaga, hafi y'isaha 3 z'ijoro,uwo yapfuye yari yagiye mu bunywero bwo muri karatiye Nyamugari. Yahaguze icupa rimwe imbere yo gutaha muhira iwe. Inyuma y'iminota 5 ashitse muhira,urwamo rwarumvikanye hanze y'inzu yiwe ,abana biwe basohotse kuraba ivyo ari vyo,bamusanze ari ikiruruma.

Batabajwe,ababanyi baratabaye hanyuma uwo mugore ajanwa ku bitaro vyihuse, aho bashitseyo yapfuye.Amasoko yaho avuga ko uwo muhisi yaharanira inyugu z'agakobwa kiwe k'imyaka 7,kaba mu kirwati ca Rubirizi, komine Muhanga, mu ntara ya Butanyerera. Umwana yaheruka gufatwa ku nguvu n'umugabo w'imyaka 60,se w'abana 7 ubu ari mu gasho.Ariko,amakuru yaho avuga ko abo mu muryango yiwe bagerageza kunyegeza canke gukuraho,kunyegeza ivyemeza,kugira baburabuze igikorwa c'ubutungane.

Ku bwo ayo masoko,buca apfa,uwo yishwe avuye ku bitaro vya Musema,biri muri komine ya Matongo, mu ntara ya Butanyerera, aho umwana wiwe yapimiwe. Yarafise ibipapurovyo kwa muganga vyemeza ko umwana wiwe yafashwe ku nguvu.Imvo nyamukuru y'urupfu rwiwe ntiziramenyekana. Umuryango w'uwo yishwe basaba amatohoza yigenga yotangura.

***Abantu bishwe kubera kwihora bikurirwa no kwihanira :***

***Ak4:*** Kuwa gatandatu igenekerezo rya 25 Ndamukiza hafi y'isaha cumi n'imwe z'igitondo ku mutumba Musumba,muri Zone Kabanga, komine Gisuru, Charlotte w'imyaka 75 yarishwe n' umukwe wiwe yitwa KANANI.

Uwo yakoze ayo mabi yaje kwa inabukwe adodora ku rugihanyuma nyinabukwe anyaruka kwugurura. KANANI afise umupanga mu ntoke yasavye inabukwe kumusubiza inkwano yamuhaye ku mugore wiwe ngo bitabaye uko aricwa . Iyo nkozi y'ikibi yatanguye guturira igikoni ca inabukwe imbere yo kudodora ku rugi.

Inabukwe ahejeje kwumva amajambo y'umukwe yarahungiye ku muhana w'umubanyi ,umukwe aramukurikira gushika ku muhana yahungiyemwo. KANANI yafashe inabukwe hanyuma aramutemagura n'umupanga gushika apfe.Abanyagihugu bo muri ako karere kubera ishavu bafashe uwo mwicanyi hanyuma baramukubita gushika apfe,mu nyuma baramuturira kugira barabe neza ko yapfuye.

Abantu bose batabaye uwo yatemaguwe barakomerekejwe n'uwo mwicanyi,bose hamwe ni abantu 4 bakomeretse.

### *V.1.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA (Ibikurikira urupapuro rwa 12)*

Muri bo harimwo:

1.NDAYISHIMIYE Ezéchiel, arongoye umugambwe CNDD-FDD muri Zone Kabanga.Uwo yarungitswe ku bitaro i Kibuye aho ariko aravurirwa kubera yakomeretse cane mu mutwe no ku maboko kubera gutemagurwa n'umupanga.

2.NDAYIZEYE Canésius

3.NDIMURWANKO Obède

#### *V. 1.1.2. UKUNYURUZWA N'UKUBURWA IRENGERO*

*Ibwirizwa shingiro ry'Uburundi mu gace karyo ka 38, rirarekurira umuntu wese,gutunganirizwa co kimwe n' abandi ,akumvirizwa kandi agaciribwa urubanza mu gihe gitegekanijwe.*


*Ariko,mu ngiro,ku rubuga hibonekeza cane ukutubahiriza iyo ngingo.*

Mu kiringo c'iki cegeranyo,ukunyuruzwa,ukunyuruzwa no kuburwa irengero mu Burundi vyarabonetseko ari ingorane ikomeye k'umutekano hamwe no muri poritike y'igihugu. Incuro nyinshi zatohojwe ziraharurwa zerekana aho abantu ,babonwa nk'abatavuga kumwe n'ubutegetsi canke biketswe bisanzwe,banyurujwe n'abakozi bajejwe umutekano canke abo bakorana"urwaruka rw'umugambwe uri ku butegetsi". Abo bahuye nayo mabi kenshi banyururizwa mu bibanza bitazwi,basiga imiryango yabo mu makenga atagira uko angano kuvyerekeye ico bagiye kubakoza canke aho bapfungiwe.

Muri aya mezi 2 y'iki cegeranyo,umuhari Iteka waharuwe abantu 9 banyurujwe mu gihugu cose harimwo abagabo 6 hamwe n'abagore 3. Intara zakozweko cane cane Bujumbura yaharuwemwo abantu benshi abantu 7, Burunga na Buhumuza umuntu 1 kuri imwe imwe yose.

***Igicapu4 :*** **Igicapu cerekana abantu banyurujwe mu kiringo co kua Ntwarante gushika Ndamukiza** ***2026***

| Intara | Incuro banyurujwe | Igitigiri c'aba-nyurujwe | Abagabo | Abagore |
|---|---|---|---|---|
| Buhumuza | 1 | 1 | 1 | 0 |
| Bujumbura | 7 | 7 | 4 | 3 |
| Burunga | 1 | 1 | 1 | 0 |
| Butanyerera | 0 | 0 | 0 | 0 |
| Gitega | 0 | 0 | 0 | 0 |
| Grand Total | 9 | 9 | 6 | 3 |



### *V. 1.1.2. UKUNYURUZWA N'UKUBURWA IRENGERO (Ibikurikira ku rupapuro13)*

***Uburorero buvyerekana :***

***Abantu banyurujwe n'abaporisi :***

***Ak1:***Kuwa 06 Ntwarante 2026 muri karatiye Mubone, muri zone Buterere,muri komine Ntahangwa, mu ntara ya Bujumbura, Julien MANIRAKIZA umunywanyi w'umugambwe uri ku butegetsi kandi aba muri iyo karatiye nyene yarahagaritswe hanyuma ajanwa ahantu hatazwi. Ku bwo ivyabona vyaho,Julien yahagarikiwe muhira iwe n'umuporisi yitwa Eric aba kw'ibarabara rya 2 i Mubone arikumwe n' akarwi k'imbonerakure harimwo Amuri BUKURU, umutware mushasha wa karatiye Mubone, batazira Sylvat,arongoye ikigo c' Uburusiya cubatswe kw'ibarabara ryo muri karatiye Mubone, uwitwa Lionel aba ku rya 1,uwitwa Ernest adandaza amatafari kandi aba kw'ibarabara rya 5 ku Mubone,uwo bita Madisi na Eric umukozi w' iperereza aba kurya 12. Ku bwo ivyo vyabona nyene,Julien Manirakiza yari yatowe nk' umutware wa karatiye Mubone mu matora aherutse kuba ariko akurwa atamvo iboneka naho ariwe yashimwa n'abanyagihugu kandi yarasavye kurenganurwa,ubu arindiriye inyishu

Kuva kuwa 6Ntwarante 2026,yarabbuzwe irengero, abagenzi n'abaegereye Julien MANIRAKIZA basaba kumenya aho uwabo yoba yarajanywe hamwe ico yagirizwa.

---

***Ak 2 :*** Ku wa mbere kuwa23 Ntwarante 2026, hafi y'isaha zine z'umutaga,muri karatiye Nyakabiga 1, iri kw'ibarabara rya 4 muri komine Mukaza, mu ntara yaBujumbura, Ciza Bogoss, w'imyaka 28 kandi akora amaradiyo n'amaterefone,yarafashwe hakoreshejwe igikenye n'abantubambaye umwambaro w'igiporisi c'igihugu c'Uburundi.

Kubw'ivyabona vyo mu karere,uwo yanyurujwe yarikumwe n'abandi baba kuri iryo barabara hanyuma yurizwa ku nguvu ingendeshwayo mubwoko bwa double cabine,yaciye bunonyene igende igana ahantu hatamenyekanye. Kubw'intahe twaronse mu babanyi no mu muryango,iryo nyuruzwa rijanye n'icuka cari kihari.Amatati uwanyurujwe yarafitaniye n'umubanyi,Jean de Dieu, alias « Gisukari ».

Ayo matati ,ubwambere vyari ivyabo,munyuma birahinduka kubera ibitutsi vyatutswe nyina wa Ciza ,bituma barwana hagati yabo. Twobamensha ko uvyo bapfa n'umubanyi vyari bimaze gushika mu butungane bubijejwe igihe ivyo vyaba.

Ukujamwo abantu bambaye umwambaro uzwi mu bisa n'inyuruzwa bitera amakenga kw'ikoreshwa ry'abajejwe umutekano mu matati yo hagati yabo.Umuryango n'ababa mu Nyakabiga bamenyesha ko ari ihonyangwa ry'intambuko z'ukurengukishwa zizwi n'amageko kandi bagatinya ko Ciza ashobora gukubagurwa.

Abegereye uwo yanyurujwe basaba ubufasha bw'indongozi mu ntwaro hamwe n'umutekano bwo kurondera uyo musore,kwubahiriza uburenganzira bwiwe nshingiro hamwe n'ugukurikirana urubanza rwiwe ataguhenama bakurikije ingingo za Reta zubahiriza agateka k'abanyagihugu.

## V. 1.1.2. UKUNYURUZWA NO KUBURWA IRENGERO(*Ibikurikira urupapuro14*)

### *Abantu banyurujwe n'abakozi b'iperereza SNR :*

***Ak3:*** Inkuru yashikiye umuhari Iteka kuwa 2 Ntwarante 2026 imenyesha ko uwahoze ari impunzi mw'ikambi ya i Nakival, muri Ouganda, ahungutse yitwa Njimbere Herménégilde, kandi azwi kw'izina rya Fanny, yaranyurujwe mw'i Jabe, mu gisagara ca Bujumbura, muri komine Mukaza, mu ntara ya Bujumbura. Kubw'amasoko yaho, Herménégilde Njimbere,batazira Fanny, afise imyaka 42, ava mw'i Jabe, mu gisagara ca Bujumbura. Yitegurira kuzoshinga urugo bitegekanijwe kuwa 14 Ntwarante 2026.Umunywanyi w'umugambwe FRODEBU,yari yahungiye muri Ouganda muri 2015 kubera atari ashigikiye ikiringo ca 3 ca Nkurunziza. Yagarutse muBurundi muri 2023, yibwira ko atangorane nimwe ihari,yari yaronse indemesho y'abatware.Kubw'ivyabona,kuwa 27 Ruhuhu 2026,Njimbere Herménégilde yasangiye yasangiye akarahuri n'umugenzi wiwe mw'i Jabe, impande y'ipompo y'igituro ca ingendeshwa zunguruza abantu.

Hafi y'isaha zine z'ijoro, Fanny na mugenzi we biteguriye guhaguruka ngo bave aho bari igihe umugabo yitwa Jacques yabasaba kugumaho no kunywa irindi cupa.Bunonyene,ingendeshwa yo mu bwoko bwa comionnette ifise ivyumba 2,itagira inomero iranga imodoka,irashika,izanye abantu bambaye umwambaro w'abaporisi. Baciye bunonyene bafata uwundi muntu,ariko umuntu yari ahari yaciye avuza urwamo:« Oya,si uyo.ariko ni uriya! » batunga urutoke Fanny. Ivyo vyerekanye ko ihagarikwa rya Fanny ryari ryateguwe neza. Abonye ko yahemukiwe,Fanny yagerageje guhunga ariko ntivyakunze,hanyuma arahagarikwabunonyene bamujana muri ya ngendeshwa ica iriruka. Umuryango wiwe waramurondeye wihebuye, ariko ntiwamubonye. Kubw'amakuru amwe amwe Fanny yoba ubu apfungiwe mu Biro vy'igihugu bijejwe igendereza (SNR), ariko ntamuntu n'umwe yigeze ahobora kumenya aho ari. Naho umuryango wiwe wamurondeye cane, mu mabohero atandukanye azwi n'amategeko. Herménégilde ntaraboneka.

## V.1.2. UBURENGANZIRA BWO KUDAHOHOTERWA KU RUKOBA

Uburenganzira bwo kuhohoterwa ku mubiri burakingiwe mu Burundi n'amategeko menshi n'ibwirizwa nshingiro hamwe n'amategeko mpuzamakungu. Ibwirizwa nshingiro ry'Uburundi riremea uburenganzira ku buzima,ukwishira no kwizana hamwe n'umutekano w'umuntu uwo ari we wese. Ararwanya ukuborezwa igufa,ugufatwa bunyamaswa, n'ayandi mabi. Igitabo mpanavyaha rirahana uguhohotera umuntu,nko gukubagura kubushake,ukukomerekanya hamwe n'ambi afatiye ku gitsina.


### *V.1.2.1. UKUBOREZWA IGUFA,UGUFUNGWA ,GUFATWA BUNYAMASWA N'AYANDI MABI ATAGIRA*

Bose hamwe,incuro 4 z'abantu bafashwe bunyamaswa baraharuwe n'umuhari Iteka ku butaka bwose bw'Uburundi mu kiringo iki cegeranyo kiraba.Kuri izo ncuro 4,abantu 5 baraborejwe igufa harimwo umugore umwe.

***Igicapu ca5 : Ikigara cerekana abantu baborejwe igufa mu kiringo ca Ntwarante gushika Ndamukiza 2026***

| Intara | Incuro baborejwe igufa | Igitigiri c'abakozweko | Abagabo | Abagore |
|---|---|---|---|---|
| Buhumuza | 0 | 0 | 0 | 0 |
| Bujumbura | 0 | 0 | 0 | 0 |
| Burunga | 2 | 3 | 2 | 1 |
| Butanyerera | 0 | 0 | 0 | 0 |
| Gitega | 2 | 2 | 2 | 0 |
| Zose hamwe | 4 | 5 | 4 | 1 |

*V.1.2. UBURENGANZIRA BW'UKUDAKUBAGURWA (Ibikurikira urupapuro15)*




***Amabi yatohojwe :***

***Abafashwe bunyamaswa n'Imbonerakure***

***Ak1 :*** Kuwa 25 Ntwarante 2026, hafi y'isaha zitanu z'ijoro,ku mutumba Rwingoma,muri zone Buhiga, muri komine KARUSI, mu ntara ya Gitega, NTAHOBARI Révocat, Imbonerakure ifise imyaka 38 ,ava ku mutumba Miyange, muri zone Bugenyuzi yarahohotewe kandi arakubitwa na Eric,umukuru w' Imbonerakure ku mutumba, jean claude icegera ciwe hamwe n'umukobwa yavyariye iwabo yitwa Ange. Kubw'ivyabona vyo mwako karere,bamusanze mu nzu ya 'UWIZEYIMANA Mathilde, umugore yahukanye, umunywanyi wa CNDD FDD, afise imyaka30.Kubw'umukuru wa karatiye,uwo yakorewe amabi inyuma y'umutaga wose yari mu bunywero bwo kuri uwo mutumba arikumwe n'uwo mugore hanyuma imbonerakure zirabakurikirana gushika muhira hanyuma barindira ko binjira mu nzu kugira munyuma babomore umuryango imbere yo kumuta hasi. Kubw'ivyo vyabona nyene,bamusavye amahera kandi kubera atayo yarafise.yarakubiswe. Yamaze ijoro ku bitaro vya Buhiga aho yaronkeye ubuvuzi gushika isaha umunani z'umurango zo kuwa 26 Ntwarante 2026 inyuma yo kurihirwa amahera na musazawe aba i Buhiga. Abakoze ayo mabi baracidegemvya nk'uko atacabaye naho bakubise bakubise imbonerakure nkabo.

---

***Ak2:*** Kuwa 13 Ndamukiza 2026, hafi y'isaha zitatu z'ijoro ,ku mutumba Karinzi,muri zone Rongero, muri komine Rutana, mu ntara ya Burunga, Salvator Barashingwa n'umugore wiwe Marcelline Itangishaka, bose bo mu mugambwe CNDD-FDD barakubiswe hakoreshejwe inkoni n'Imbonerakure,urwaruka rwo mu mugambwe uri ku butegetsi CNDD-FDD harimwo Elias, Éric na Egide kubera guha indaro umuntu batabwiye umutware w'uwo mutumba.Abo bakubishwe bumva ububabare umubiri wosekandi bari mu bitaro vyo mu Rutana kugira bavurwe mugiye abikekwako icaha bari mw'ibohero rya komisariya ya komine Rutana.Muri iryo joro nyene,uwo muntu yari yasavye indaro ni nawe yabajanye ku bitaro.

### *V.1.2.2. AMABI AFATIYE KU GITSINA/GUFATWA KU NGUVU*


*Itegeko rijanye n'amabi afatiye ku gitsina ryashizweko umukono mu Burundi muri 2016 ryaratumye haba intambwe iboneka. Rirakinga neza,cane cane mugutanga indangurakintu ryo gufatwa ku nguvu bafatiye ku kibazo c' ukwumvikana hamwe no kubuza imigenzo yakera mibi.*

Mu kiringo c'iki cegeranyo, Yose hamwe incuri 28 z'amabi harimwo abantu 29 baharuwe n' umuhari Iteka ,muri abo harimwo abagore 27 n'abagabo2. Kuri 29 bakorewe amabi,abantu 22 bakorewe amabi afatiye ku gitsina harimwo abana 20 bafashwe ku nguvu hamwe n'abakuze 2. Muri 29 bakorewe amabi afatiye ku gitsina,20 ni abana hamwe n'abantu bakuze 9.

Ikigara kiri aha munsi kirerekana neza amabi yakozwe ku ntara ku ntara. Abikekwa ko amabi badomweko urutoke ni cane cane urwaruka rw'Imbonerakure ku bantu 7 hamwe n'abaporisi umuntu 1. Uwundi mugwi uraba abikorera ivyabo harimwo abadandaza ,amabi mu bubakanye,abantu batamenyekanye kandi ivyo bikaba vyakoze ku bantu 18 hamwe n'umusirikare ku muntu 1, umuporisi nawe umuntu 1.

***Igicapu ca 6 :Ikigara cerekana abantu bakorewe amabi afatiye ku gitsina mu kiringo ca Ntwarante gushika Ndamukiza2026.***

| Intara | Igitigiri c'abakorewe amabi afatiye ku gitsina | Igitigiri c'abakorewe amabi | | Abagabo | Abagore |
|---|---|---|---|---|---|
| | | Amabi afatiye ku gitsina | Ugufatwa ku nguvu | | |
| **Buhumuza** | **1** | **0** | **1** | **0** | **1** |
| **Bujumbura** | **5** | 0 | 5 | 0 | 5 |
| **Burunga** | **8** | 4 | 4 | 1 | 7 |
| **Butanyerera** | **8** | 1 | 8 | 1 | 8 |
| **Gitega** | **6** | 2 | 4 | 0 | 6 |
| **Zose hame** | **28** | **7** | **22** | **2** | **27** |




***Uburorero buvyerekana :***

***Abana bato bashurashujwe ku nguvu:***

***Ak1*** *: :* Kuw 05 Ntwarante 2026,ku mutumba Nyamagana, muri zone Mugera,muri komine Bugendana, mu ntara ya Gitega, agakobwa kitwaune fillette N,gafise imyaka 7 , umwana waL. na D yarafashwe ku nguvu .

Kubw'amakuru twaronse ku masoko yaho,iryo bara ryabaye hafi y'isaha cumi n'imwe y'umuhingamo, mugihe umwana yarikumwe na Irankunda Rodrick, umuyabaga w'umubanyi baragiye inka. Bwije,agakobwa katashe muhira iwabo karira. Nyina wiwe yarabone kava amaraso mu bihimba vy' irondoka,aca atabaza ababanyi. Umwana yaciye ajanwa ku kigo c'ubuzima i Nyamagana, aho umuganga waho yemeje ko yashurashujwe.

### *V.1.2.2. AMABI AFATIYE KU GITSINA/UGUFATA KUNGUVU(Ibikurikira urupapuro 17)*

### *Amabi yo mu nzu yakorewe abagabo :*

***Ak2:*** *Mu* gitondo ryo kuwa 23 Ndamukiza 2026,umugabo w'imyaka 33 azwi kw'izina rya Hatungimana Claude ava ku mutumba Gahahe muri komine Kayanza mu ntara ya Butanyerera yaracumiswe hakoreshejwe imbugita n' umugore wiwe yitwa Niyonsaba Olive.

Ku bwo amakuru twatohoje kuri uwo yacumiswe,yahaye umugore amahera yo gusumira abana hanyuma umugore avugako adakwiye. Inyuma y'iminota mikeya,uwo mugabo yavuze ko umugore yaje inyuma yiwe hanyuma amucumita imbugita amwagiriza ko adatanga amahera yo gusuma akwiye y'umuryango. Uwacumiswe yajanywe ku bitaro vya kayanza kugira avurwe kandi uwikekwa gukora ayo mabiyarahagaritswe,yabwiye inyamiramabi ko yibungenze kandi ko inda yovayo hamwe batomureka ngo aje kwivuza.

Amakuru twatorokanije kuri uyo muryango avuga ko muri iryo joro nyene ryo kuwa 23 Ndamukiza 2026,Niyonsaba Olive yaciye aboneraho gutora amatungo yose y'umuryango yose y'umuryango hanyuma agenda ahantu hatamenyekanye kubwo intwaro zo ku mutumba wa gahahe

Ku ruhande rw'ishirahamwe ry'abagabo bari mugahinda baharanira agateka k'abagabo mu Kayanza basaba ko uyo mugore yoronderwa hanyuma akarengutswa imbere y'ubutungane .

### *Amabi yo mu nzu yakorewe abakenyezi:*

***Ak3:*** Nikundana Alice,umuvyeyi w'abana 5 yubatse ku mutumba RUHINGA muri komine Matana, mu ntara ya BURUNGA yaturiwe hakoreshejwe amazi abize n'umugabo wiwe Ndikumwenayo Gabriel Imbonerakure yo muri cndd-fdd,kuwa 4 Ntwarante2026. Amakuru twakure aho avuga uwo mugabo yatashe muhira hafi isaha zibiri z'ijoro kandi ko yashitse asuka amazi ashushe ku mugore wiwe yagire acumbemwo ubugari. Bidatevye, umugore yashize ku ziko ayandi mazi.Umugabo yarindiriye ko amazi abira hanyuma asubirakuyasukakumugore wiwe.Ababanyi,batabajwen'uwo mugore,barashoboye kuza gutabara ariko uwo yamuturiye yari yamaze guhunga.Ababanyi bemeza ko hariho umubano mubi muri uyo muryango.Uwikekwa icaha n'ubu aracidegemvya nk'uko vyidogwa ababa kuri ako gacimbiri. Uwurongoye uwo mutumba Ninganza Raphaël asigura ko atawuzi irengero ryiwe kuva akora iryombara,yoba yagirizwa ko yoba ari mubatumye adahagarikwa, kubw'amasoko amubona acidegevya.

*V.1.3. UBURENGANZIRA KU MWIDEGEMVYO*


Amategeko y'igihugu na mpuzamakungu mu Burundi aremeza ingingo y'ubwere gushika habonetse ivyemezo vyagira uwuburana kandi ko gufunga yoba ingingo yanyuma.

*V.1.3.1. UGUHAGARIKWA NO GUPFUNGWA BICIYE KUBIRI N'AMATEGEKO*

Muri iki kiringo, umuhari Iteka waharuye incuro zibiri zoguhagarikwa ku butaka bwose bw'igihugu mu kiringo kigizwe n'iki cegeranyo. Ku ncuro 2,abantu 4 barahagaritswe.

***Igicapo7 : Ikigara cerekeye abantu bahagaritswe n'abapfunzwe bidakurikije amategeko mu kiringo ca Ntwarante gushika Ndamukiza 2026***

| Intara | Incuro bahagaritswe | Igitigiri c'abahagaritswe | Abagabo | Abagore |
|---|---|---|---|---|
| Buhumuza | 1 | 1 | 1 | 0 |
| Bujumbura | 0 | 0 | 0 | 0 |
| Burunga | 0 | 0 | 0 | 0 |
| Butanyerera | 1 | 3 | 3 | 0 |
| Gitega | 0 | 0 | 0 | 0 |
| Zose hamwe | 2 | 4 | 4 | 0 |




***Uburorero buvyerekana:***

***Ak1 :*** Kuwa 8 Ntwarante 2026, ku mutumba Karimbi, muri komine Muyinga, mu ntara ya Buhumuza, Ndacayisaba Jérôme batazira Vache, umwigisha, yarahagaritswe kandi arapfungwa ku biro vya zone Higiro kubera yadodoye ku muryango w'umuhabara w'umukuru w'umutumba Karimbi yitwa Nayabagabo. Kubwa Ndacayisaba, yarihenze inzu kubera yari yaborewe cane hanyuma uwo muhabara yaciye ahamagara mugenzi we atwara umutumba ,nawe bunonyene yaciye arungika buno nyene imbonerakure kugira bacunge Jérôme Ndacayisaba yamaze ijro yose ataryamye acunzwe hanyuma ajanwa mw'ibohero zone Higiro. Kubw'ivyabona vyo mukarere,umukuru wa zone Higiro, Muhigirwa Vital, yamubwiye ko azomurekura niyo yatanga amahera angana 1.450.000 F. Umuryango w'uwo yahagaritswe biciye kubiri n'amategeko bibaza aho umukuru wa zone akura izo nguvu zo gupfunga abantu no kubaca amahadabu atazwi n'amategeko.Basaba musitanteri wa komine Muyinga Umwubahwa Amédée Misago na buramatari w'intara ya Buhumuza gushira ku murongo uwo arongoye zone imbere yuko birenga inkombe hamwe no gutanga inyigisho ku ndongozi ziheruka gushirwaho. Uwo yahagaritswe amaze iminsi7 apfunzwe tanuko atanakimwe ubutungane

## *V.2. UBURENGANZIRA KU BUTUNZI N'IMICO KAMA*

*Uburenganzira ku butunzi,imibano n'imico kama bufatwa nk'uburenganzira bwo ku rugezo rwa kabiri,buri mu masezerano mpuzamakungu ajanye n'uburenganzira bw'ubutunzi,imibano n'imico kama.Uburundi bwaremeje ayo masezerano kuwa 14 Ntwarante 1990 kandi bwarayashize mw'ibwirizwa shingiro ryo mu 2018,nko mu ngingo ya 19.Ico ubwo burenganzira bwiharije ni uko bushirwa mu ngiro intambwe ku yindi,bitandukanye n'uburenganzira bw'abigenga na politike.Ama Reta yabushizeko umukono,harimwo Burundi, yiyemeje gushira mungiro ubwo burenganzira bivanye n'uburyo bafise.*

### *II.2.1. IHUNGABANA RY'UBUTUNZI.*

Muri Ntwarante2026, Uburundi bwaragize ingorane zijanye n'ubutunzi. Mu gisata c'ubutare,umushikiranganji Hassan Kibeya yarashize umukono ku masezerano y'ubutare bwo mu bwoko bwa nickel n'amashirahamwe KoBold Metals na Life Zone Metals, atamuco utanzwe kuvyerekeye ku ngaruka zishobora kukurikira. Ibanki nkuru y'igihugu BRB yarahagaritse kuriha abacukura inzahabu hanyuma iduza ikori kuva ku bice 7% gushika kuri 16%, ku mahera y'isoko riri mu ngorane rya Aziya kubera icuka c'intambara zihuza USA-Iran. Abacukura barashikirije amakenga hamwe no guhakwa kwigungirako kw'ubutegetsi ivy'ico gisata. Ikene ry'igitoro ryarakoze kubagendesha amapikipiki b'iButanyerera, bategerejwe kwunguruza abarenze hanyuma abaporisi bakababuragiza,rimwe na rimwe bakanabiba.I Muyinga,ukugerageza kuvoma igitoro vyarateye umuriro. Abarimyi b'i Mwaro n' i Nyanza bariyamirije itangwa ry'igice c'ifumbire barishe. Ihagarikwa ry'ifumbire yo mu bwoko bwa "urée" kuwa 5 Ntwarante vyatumye batera ata fumbire, bituma batinyako amapfa ashobora kwaduka.Mu Ruyigi,ibinogo umwanda uva mu kazu ka surwumwe ushikirako bidategurwa neza vyateye umwanda bikabangamira abandandaza.

### *II.2.2. UBURENGANZIRA KU NDERO*

Muri Ntwarante 2026,ishure rikuru ry'imyuga rya Bitare ryarahungabanijwe n'ukubura irengero umuyobozi waryo, Nestor Nsavyumukama, kuwa 10 Ntwarante,inyuma yo kwunyuguza amasandugu y'amahera y'ishure. Isomero ry'abanyeshure280 ryari risanzwe riri mu cuka inyuma yo gufata ingingo yo guheba ibibazo vy'igice ca 2 kubera hikekwa ko habayemwo ubusuma, ariko ntibije mu ngiro .Umugwi ujejwe amatohoza waragiyeho. I Buhumuza, kuwa 12 Ntwarante,umuyobozi w'ishure shingiro ya Muyinga III, Bigirimana Anwali, yategetse abanyeshure biwe gushigikira umurwi witwa Aigle Noire, bitera amakenga abavyeyi. Yri yirukane kandi abanyeshure bo mu mwaka 9 bafise amanota mabi. I Karuzi, ishur nkuru ya Buhiga yabonye abanyeshure biwe bataye icigwa kuwa 4Ntwarante kugira biyamirize ukubatwara no kumenagura terefone. Ivyigwa vyasubiye gutangura kuwa 5 Ntwarante.

Muri Ndamukiza, Muramvya yaharuye igitigiri c'abanyeshure bahevye giteye akoba mw'ishure nshingiro mu gice ca kabiri 2025-2026. Kubwo indongozi za DCE,ubukene niyo ntambamyi nyamukuru,hagakurikira inda zitipfujwe,ingorane z'amagara,ukwimuka hamwe n'ukwubaka hataragera.

*Uwo uri wese ubahirizwa*

# VI. UGUSOZERA

Agateka ka zina muntu mu Burundi, muri Ntwarante na Ndamukiza 2026, kerekana amabi y' urutavanako. Umuhari Iteka hamwe n'ayandi mashirahamwe aradomako urutoke ibiziga vyatowe, ugupfungwa bidakuriije amategeko,ukuborezwa igufa canke ukuburwa irengero,ukerekana gutyo ihungabana ryisubiriza ribangamira ukwigenga ntayegayezwa. Ivyo vyerekana poritike y'igikenye irondera gufuta abo batavuga rumwe hamwe n'uburenganzira bwo gushikiriza ikiri ku mutima kandi ibangamiwe n'ugukurikirana bikomeye ibimenyeshamakuru. Uburenganzira bw'abakenyezi n'abana burahura cane n'amabi harimwo n'abana bafatwa ku nguvu ku rugeo ruteye ubwoba . Umuhari Iteka uhamagira Reta kwikubita agashi hamwe n'ivyo yita ngo ni ukwubahiriza kiremwa muntu hamwe n'ukugira impinduka vuba na vuba. Iki kiringo cemeza urukurikirane rw'amabi hamwe n'isubira inyuma mu bisata bitandukanye. Birakenewe cane gukora ibikorwa bitumbereye ndetse n'ibiganiro vy'igihugu bidakumira kugira hakomezwe ugukingira agateka ka zina muntu.

Ariko ,umuhari Iteka urashima ibikorwa vyakozwe n'ubtegetsi cane cane ku vyerekeye ubutungane hamwe n'amatangazo yiyamiriza abakoze amabi kandi urateye intege cane iyo ngendo ikomeye mu gukurwanya ukudahana.

Uwo uri wese ubahirizwa